Education & Communities

# Getting ready for school

A guide for parents of a child with disability

# Kwitegurira gutangura ishure

Inyigisho ku bavyeyi b'abana bafise ubumuga







Kirundi



Gutangura ishure ry'ibibura-mwaka (Kindergarten) ni intabwe ishimishije mu buzima bw'umwana. Kuronderera umwana wawe ishure ni ingingo itoroshe na cane cane ku bavyeyi b'abana bafise ubumuga.

Izi nyigisho zateguwe mu ntumbero yo gufasha mu bijanye no kwitegura hamwe no guhitamwo ishure rikwije ibikenewe mu kwitaho umwana wawe.

## Aho wotangurira

- Nimba ufise umwana afise ubumuga ni vyiza ko umenyesha ishure rikwegereye canke ubuyobozi bukwegereye amezi cumi n'abiri (12) imbere y'uko umwana atangura ishure. Bituma ubona akaryo ko kuvugana n'abakozi bajejwe ibijanye no gufasha umwana wawe mu kwiga hamwe n'ibindi yokenera.
- Iyo umwana wawe afise ubumuga busaba gufashwa ku kwiyunguruza, ni vyiza ko umunyesha ishure rikwegereye canke ubuyobozi bukwegereye imyaka ibiri imbere y'uko atangura ishure. Ivyo bituma ishure rironka akaryo ko kwihweza neza niba ivyo wipfuza babifise kandi ko aho umwana wawe yoza araca hoba hameze neza mugihe umwana wawe atanguye ishure.
- Mugihe ugiye kubonana n'umuyobozi w'ishure ni vyiza ko witwaza imiti n'ibipimo vyo kwa muganga bijanye n'ubumuga bw'uwo mwana wawe kugira mubirabire hamwe.
- Vugana n'abandi bashobora kugufasha(uturorero: umuryango, abagenzi, umugaga, muganga w'abana, umugwi ugufasha, uwujejwe amagara meza, umuhanuzi, abajejwe kunonora umubiri, abajejwe ibijanye no kuvuga) hamwe n'abandi bavyeyi bafise abana bafise ubumuga kw'ishure kubijanye n'ingene nabo bavyitwaramwo.
- Ishure yo kwimenyereza canke ayandi mashure bafasha abana bato barashobora kugufasha kukuronderera ishure aba arigako. Mugihe kw'iryo shure batatanga mwene izo mfashanyo urashobora kuvugana n'ishure rikwegereye canke ubuyobozi bukwegereye barashobora kukuronderera ishure aba arigako mu gace ubamwo. Urashobora guhamagara ubuyobozi bukwegereye ukoresheje telefone yawe yo munzu kuri: 131 536.





## Uburyo butandukanye bwo kwiyandikisha

- Mu duce twose two muri NSW, Ubuyobozi bw'indero n'abanyagihugu (Department of Education and Communities) (DEC) buratanga imfashanyo zitandukanye ku banyeshure bazikenye kuburyo butandukanye n'abandi.

- Nk'umuvyeyi canke umurezi w'umwana vyemejwe ko afise ubumuga urashobora guhitamwo muri ubu buryo bukurikira:

  - Ishure rikwegereye

  - Ivyigwa vyihariye mw'ishure risazwe

  - Ishure ribigenewe
    (Ishure bivanye n'impamvu)

## Uburyo bwo guhitamwo ishure nyaryo

Umuyobozi w'ishure afatanije n'abajejwe gufasha mu bijanye n'ivyigwa kw'ishure, baragufasha guhitamwo ishure ryiza ku mwana wawe, bafatiye kuvyo wipfuza, ivyo umwana wawe akeneye mu kwiga hamwe n' ubushobozi bw'abafasha uwo mwana. Ubuyobozi bukwegereye nabwo nyene burashobora kugufasha mu kuronderera umwana wawe ishure ryiza.

## Kwandikisha umwana afise ubumuga

- Kumwandikisha mw'ishure risanzwe bikorwa biciye kw'ishure rikwegereye.

- Kumwandikisha mu vyigwa vyihariye canke ishure ribigenewe bikorwa biciye mu kanama k'ubuyobozi gatanga ibibanza.

- Izindi nkuru kuri ibi ushobora kuzimenyeshwa mu guhamagara ubuyobozi bukwegereye kuri: 131 536 ukoresheje telefone yawe yo munzu.

## Urutonde rw'amashure woshima

- Urashobora gukoresha uburyo bwa none mu kuraba ishure rikwegereye kuri: www.schools.nsw.edu.au/schoolfind/locator/
  Hano, urashobora guhigisha ishure ribigenewe bita kandi amashure bivanye n'impamvu mugabo kugira usabe ikibanza utegerezwa kubicisha mu buyobozi bukwegereye. Ushobora kuvugana n'ubuyobozi bukwegereye kuri 131 536 ukoresheje telephone yawe yo munzu.

- Saba umubonano n'umuyobozi w'ishure rikwegereye kugira muvugane ku buryo bushoboka hamwe n'ivyo umwana wawe yokenera. Abavyeyi benshi birabafasha iyo bajanye n'umuntu wo mu muryango canke umugenzi.

- Muri uwo mubonano, za witwaje ibipimo vyose vyo kwamuganga kugira mubirabire hamwe n'abakozi bo kw'ishure.

- Urashobora gutegura urutonde rw'ibibazo canke ibindi vyipfuzo ufise kubijanye n'ivyo umwana wawe akeneye mu kwiga kugira mubivuganeko muri uwo mubonano.



## Izindi mfashonyo ziyongera

Niyaba umwana wawe afise ubumuga canke ingorane muvyo kwiga ukaba ukeneye izindi mfashanyo, nivyiza ko uhamagara ishure rikwegereye canke ubuyobozi bukwegereye.

Abavyeyi n'abarezi ni isoko rikuru ry'inkuru kubijanye n'ivyo abana babo bafisemwo inguvu, ivyo bashoboye n' ivyo bakeneye. Ugukorana neza kw'abavyeyi n'abigisha bishobora gufasha ku bijanye n'umwimbu mwiza w'abanyeshure.

Umugwi ujejwe ivyigwa kw'ishure ufasha abigisha kugira ngo bagere ku ntumbero mu bijanye n'ivyigwa vy'abanyeshure. Abavyeyi n'abarezi bafise uruhara rukomeye mu gikorwa c'umugwi ujejwe ivyigwa mu gutanga ivyiyumviro hamwe no gutegura ivyo umwana wabo akeneye.

Amashure ya leta yo muri NSW aratanga imfashanyo ziyongeye ku banyeshure bafise ubumuga canke abanyeshure bafise ingorane mu kwiga mu buryo butandukanye bivanye n'ivyo buri munyeshure akeneye.

Izo mfashanyo zikubiyemwo:

- impinduka abigisha bagira mw'ishure hamwe no mu ndinganizo ya buri munsi
- kubonana n'ababinonosoye bafasha abanyeshure n'abigisha babo bo mumwaka bigamwo
- izindi mfashanyo zo mw'ishure zitangwa n'abakozi bafasha
- gutanga ibikoresho vyo kwiga bibigenewe
- kubonana n'ababinonosoye mugufasha abigisha n'abakozi bafasha abigisha.

## Kuronka vyinshi kw'ishure

- Umaze guhitiramwo ishure umwana wawe, korana n'ishure uko ubishoboye. Tsimbataza imigenderanire mwiza n'umwigisha w'umwana wawe hamwe n'ishure. Bifasha abakozi bishure kukumenya hamwe no kumenya umwana wawe vyimazeyo.
- Vugana kenshi na kenshi n'umwigisha w'umwana wawe kugira mubandanye kuvugana kuvyo umwana wawe yiga hamwe n'ingene atera imbere hamwe n'ibindi bibazo ushobora kubona canke ishure rishobora kubona.
- Muvugana uburyo bwiza bwo kubandanya guhanahana amakuru hagati yo muhira no kw'ishure. Nk'umuvyeyi urazi umwana wawe neza kurusha. Mufashe uko ubushoboye.
- Ukaba ukeneye umusiguzi agufasha kuvugana n'ishure, hamagara inumero ya telefone batanga umusiguzi kuri 131 450 hanyuma ubasabe umusiguzi avuga ururimi rwawe. Baca baguhamagarira ishure hamwe n'umusiguzi wo kuri telefone agufasha mu kugusigurira. Iyo bishoboka ishure rirarondera umusiguzi aza kw'ishure mu nama iyo wamusavye. Nturinda kuriha, ni kubusa.








## Ibindi vyogufasha

- www.schools.nsw.edu.au/gotoschool/enrolment/index.php (biri mu congereza)
- *Ninde azokwigisha umwana wanje? (Who's Going to Teach My Child?)* (biri mu congereze gusa) www.schools.nsw.edu.au/media/downloads/schoolsweb/studentsupport/programs/lrngdificulties/whoteach.pdf
- DVD ivuga ingazi zo kwitondera (Critical Bridges DVD) (iri mu congereza gusa) www.det.nsw.edu.au/detresources/critbridges_YKSeRaDPnn.pdf
- DVD ijanye no gutangura ishure (Starting School DVD) (Haboneka izisiguye mu izi ndimi: Icarabu, Cantonese, Dari, Dinka, Icongereze, Korean, Mandarin na Vietnamese.) Hamagara Gowrie NSW kuri (02) 8571 9700 kugira baguhe DVD imwe.

**NSW Department of Education and Communities**

**Inumero y'ubuyobozi bukwegereye**
**Regional office contact numbers**

| | |
|---|---|
| Hunter/Central Coast | 4924 9999 |
| Illawarra & South Coast | 4222 2929 |
| New England | 6755 5934 |
| North Coast | 6652 0500 |
| Northern Sydney | 9886 7690 |
| Riverina | 6937 3871 |
| South Western Sydney | 9796 5446 |
| Sydney | 9217 4877 |
| Western NSW | 6841 2110 |
| Western Sydney | 9208 9359 |

# Imyirondoro yanje (My contacts)

Aho ishure riri: (Local school:)

Izina ry'umuyobozi w'ishure: (Principal name:)

Telefone: (Phone:)

Utuntu n'utundi: (Notes:)

Ubuyobozi bukwegereye: (Regional office)

Izina bohamagara: (Contact name)

Telefone: (Phone:)

Utuntu n'utundi: (Notes:)

© April 2012
NSW Department of Education and Communities

GPO Box 33
Sydney NSW 2001
Australia
T (02) 9561 8000
www.det.nsw.edu.au

NSW GOVERNMENT Education & Communities